**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°12 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 18 GITUGUTU 2023

Inama y'Abashikiranganji yakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 18 Gitugutu 2023, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Imbere yo gushikiriza urutonde rw'ivyigwa, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarakeje abashikiranganji bashasha baheruka kwizerwa. Yabipfurije kuroranirwa mu mabanga yabo mashasha.

Yabamenyesheje ko ica mbere gitegerezwa kubaraza ishinga ari ugutora inyishu ku bibazo vy'abenegihugu. Kugirango ivyo bishoboke, abashikiranganji babwirizwa gukorera mu bumwe, bagashigikirana, bakuzuzanya mu bisata vyose.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 16 Gitugutu 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'umugambi w 'igihugu werekeye uguteza imbere igisata ca ba mukerarugendo n'intunganyo y'ishirwa mu ngiro ryawo**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Igisata ca ba mukerarugendo kirazwi ko kiri mu bihambaye mw'iterambere ry'ubutunzi n'imibano. Kirateza imbere amashirahamwe agikoreramwo kikongera kigatanga akazi cane cane ku bakenyezi, urwaruka n'ababa mu micungararo y'aharangurirwa ibikorwa.

Naho Uburundi ari igihugu categerezwa guhurumbirwa na ba mukerarugando, amahera ico gisata cinjiza ni make cane ugereranije n'ibindi bihugu vyo mu muryango wa Afrika y'Ubuseruko.

Ni muri iyo ntumbero hateguwe uyu mugambi, kugirango igisata ca ba mukerarugendo gitezwe imbere, naco giteze imbere ubutunzi n'imibano mu gihugu.

Uwu mugambi be n'intunganyo y'ishirwa mu ngiro ryawo vyisunga imbonakazoza nk' « Uburundi igihugu cifashe mu mwaka w'2040, igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 », be n'umugambi w'igihugu w'iterambere mu nkingi yawo ya 3 yerekeye iterambere ry'ibisata vy'ubutare, amahiguriro n'imyuga.
Ufise ihangiro ry'uko Uburundi bwoba igihugu gihurumbirwa n'ingenzi muri aka kerere, kugirango bushike kw'iterambere ry'ubutunzi n'imibano birama.

Iryo hangiro rifise inkingi cumi, zose zikaba zihurira k'uguteza imbere ico gisata ca ba mukerarugendo, nazo akaba ari izi :

(i) Gutunganya neza igisata ca ba mukerarugendo ;
(ii) Gushiraho amategeko n'inzego zikenewe ;
(iii) Kurondera abakozi babinonosoye ;
(iv) Gutunganya neza ibijanye n'ubumenyi;
(v) Kworohereza abanyamitahe ;
(vi) Gutegura neza ibiratirwa ingenzi;
(vii) Gushira uburyo mw'iterambere ry'igisata ca ba mukerarugendo;
(viii) Gushira ku rugero nyarwo ibiratwa mu Burundi ugereranije n'ivyo ahandi muri Afrika;
(ix) Kworohereza abipfuza kugendera Uburundi;
(x) Gushiraho Igipolisi kijejwe igisata ca ba mukerarugendo.

Kugirango ibitegekanywa kurangurwa muri uwu mugambi bishoboke, hakenewe amadorari y'abanyamerika angana n'imiliyoni cumi n'ibihumbi amajana umunani na mirongo itanu (10 850 000) ku kiringo c'imyaka icumi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, **yashikirije** ibi bikurikira:

- Kuraba neza ko ibiharuro biri muri iyi nteguro ari ivy'ukuri, ibidashobora kumenyekana neza bikavanwamwo;
- Gukosora ku bijanye n'ingwara ya Korona, kuko ubu atariyo ibangamye, ariko ari uguhangana n'ingaruka zayo;
- Kwigisha abapolisi basanzwe bahari bagafasha mu bijanye na ba mukerarugendo, aho gushiraho Igipolisi cihariye ico gisata, kuko vyoba binyuranye n'amategeko;

- Gutangurira kubisanzwe biriho mu gutunganya igisata ca ba mukerarugendo, mu kurindira gushika ku vyo uyu mugambi ushaka gushikako;
- Gutondeka amahoteli neza mu kuyaha amanota bikwiranye, hisunzwe ibisabwa ku rwego mpuzamakungu, nayo agatunganya neza ivyo ba mukerarugendo bayakenerako;
- Gushira ivyapa vyerekana ibibanza vy'iratiro biri mu Burundi aho hose ingenzi ziza mu Burundi zinjirira;
- Kurwanya igiturire aho hose abagendera Uburundi binjirira:
- Kuraba mu bitabo birata ivyiza vy'Uburundi ivyoshirwa muri iyi nteguro;
- Kwerekana muri iyi nteguro ibibanza vyose bikingiwe mu Burundi;
- Gushira ku rutonde ibibanza vy'iratiro vyose biri mu Ntara zose z'Uburundi, no gutunganya bishasha;
- Gutunganya neza ivyibutso biri mu Burundi no gutegura bishasha;
- Gutunganya neza ikigo kirimwo ibikoko c'i Bujumbura "Musée Vivant" kikazanwamwo ibishoboka vyose bihurumbirwa na ba mukurarugendo be n'ivyo bakenera;
- Kuraba ingene intatemwa ziri mu kibanza c'Ingoro yo ku wa 01 Munyonyo zokwimuririrwa ku musozi wa Vugizo ahari intatemwa y'Umuganwa Rudoviko Rwagasore hagaca hitwa "Ikibanza c'Incungu", ahari iyo ngoro naho hakitwa "Iratiro rya kahise k'Uburundi";
- Kwiga ingene amahera mvamakungu yinjizwa n'igisata ca ba mukerarugendo yoca mu nzira zizwi;
- Kwigisha abajejwe kwakira no gutembereza ba mukerarugendo;
- Gukurikirana neza abakozi bajejwe igisata ca ba mukerarugendo kugirango bagitunganye neza, imbere yo kwiyumvira gushiraho Ikigo kibijejwe;
- Gukuramwo amajambo n'amasanamu bishobora gutanga ishusho y'Uburundi itari nziza ku bipfuza kugendera Uburundi ;
- Gutunganya neza aho kwakirira inguge zatwawe mu gihugu ca Kenya no kunyarutsa igikorwa co kuzitahukana mu Burundi;
- Kwiga neza ivyotuma ba mukerarugendo bahurumbira Uburundi;
- Guha uruhara rukwiye abikorera ivyabo mw'iterambere ry'igisata ca ba mukerarugendo;
- Guha ikibanza gikwiye abanyamyuga, abaririmvyi n'abandi banyatugenegene muri iyi nteguro, kuko barafise uruhara mu guteza imbere igisata ca ba mukerarugendo;
- Kwigisha abakozi bajejwe kwakira abashitsi baza mu manama aha mu Burundi, kugirango ntibagire inyifato icafuza igihugu, ahubwo batume habera amanama menshi;
- Kwitaho kwakira neza abashitsi ku Kibuga c'indege citiriwe Melikiyori NDADAYE, mu guha inyigisho zikwiye abakozi babijejwe, no gushiraho interenete ifise umuvuduko ukwiye;

- Kumenyekanisha imfungurwa z'Ikirundi mu mahoteli, kuko ari kimwe mu bishobora guteza imbere igisata ca ba mukerarugendo.

Harashikirijwe n'ibindi vyofasha mu guteza imbere ubutunzi, navyo ni nk'ibi bikurikira:

- Kuraba ingene uburyo bwatanzwe n'Ibanki y'Isi yose bwagiye burasohoka n'ico bwakoreshejwe;
- Gukurikiranira hafi amahera mvamakungu aca mu ma banki y'ubudandaji;
- Gukomeza ikoreshwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vyose vy'Ibanki Nkuru y'Igihugu;
- Kwiga ingene igice c'inyungu ku waronse isoko rya Reta cokoreshwa mu migambi y'iterambere.

Iyi nteguro **izokwunganirwa** mu mwiherero w'abagize urwego nshingwabikorwa rwa Reta ugiye gutanganywa mu minsi ya vuba.

2. **Urwandiko rutanga umuco ku bijanye n'umugambi wo gushira amatara ku mabarabara yo mu Gisagara ca Gitega hakoreshajwe umuyagankuba uva mu mishwarara y'izuba,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Uru rwandiko rutanga umuco kuri ibi bukurikira:

- Ugukingirwa kw'amabateri kugira ntiyibwe nk'uko vyibonekeje muri kahise mu Gisagara ca Bujumbura;
- Igiciro c'amadorari y'abanyamerika ibihumbi bine (4000) ku cuma c'amatara kimwe ni kinini cane;
- Kumenya amakuru akwiye kw'ishiramwe rizoshira mu ngiro uwo mugambi;
- Kugereranya igiciro c'itara be n'ingene ahandi rigurishwa;
- Kugereranya uburyo iryo shirahamwe rizokoresha n'ubwo ishirahamwe REGIDESO ryoba ryarakoresheje ku gikorwa coba gisa n'ico.

Ku bijanye no gukingira amabateri ngo ntiyibwe nk'uko vyabaye mu gisagara ca Bujumbura, ishirahamwe NISSEI rizoshira mu ngiro uwo mugambi mugushira iyo bateri mu nda y'ico cuma c'amatara, kandi hejuru ku metero umunani, kandi ico cuma kikaba gikingiwe n'utundi twuma tumeze nk'imisumari.

Ku vyerekeye igiciro c'icuma kimwe, ibiganiro vyabaye vyatumye kigabanuka kiva ku bihumbi bine kija ku madorari y'abanyamerika ibihumbi bibiri n'amajana icenda na mirongo umunani n'umunani (2988).

Ku bijanye n'ishirahamwe NISSEI rizoshira mu ngiro uwo mugambi, risanzwe rizwi mw'irangurwa ry'imigambi igihugu c'Ubuyapani gishigikiramwo ibindi bihugu, haraheze imyaka igera ku mirongo itanu, rikaba ryizewe cane na Reta y'Ubuyapani.

Ku bijanye n'ivyo iryo shirahamwe rikoresha, rikoresha amatara meza cane ugereranije n'ayo ishirahamwe REGIDESO rikoresha, kuko ava mw'ishirahamwe OSRAM ryo mu gihugu c'Ubudagi risanzwe rizwi ko rihingura ibintu vyiza cane.

Inama nshikiranganji imaze kuronswa umuco ku vyari vyasabwe, yaciye **yemeza** ko uwo mugambi wobandanya.

3. **Urwandiko rwerekeye ishirwa mu ngiro ry'ivyashinzwe n'inama nshikiranganji ku bijanye n'amasezerano y'ubuguzi bw'ahahora ikibuga c'umupira w'amaguru AFB hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe TOYOTA Burundi n'ivyo iryo shirahamwe rishikiriza kugirango ico kibazo gihere mu mwumvikano,** rwashikirijwe n'umushikirangani w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Ku magenekerezo ya 21 Kigarama 2021 na 18 Rusama 2022, inama nshikiranganji yarihweje urwandiko rujanye n'ikibazo gifatiye kw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano y'ubuguzi bw'ahahora ikibuga c'umupira AFB, hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe TOYOTA Burundi.

Mu nama yabaye kw'igenekerezo rya 18 Rusama 2022, inama nshikiranganji yasavye ubushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro gushira mu ngiro ivyapfunditswe n'inama nshikiranganji kw'igenekerezo ya 21 Kigarama 2021, navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Kwegeranya ivyo vyose vyerekana ingene TOYOTA yakoresheje ibisa n'ubusuma haba mu kuronswa urupapuro ndangatongo canke mu kurushikiriza irindi shirahamwe ;
- Gufuta amasezerano y'ubuguzi bw'ico kibuga yari hagati ya Reta na TOYOTA, Reta isubire ku vyayo ;
- Kwerekana agahombo Reta yagize;
- Kuraba ko ico kibuga kikimeze nk'uko cari, igihe cagurishwa ;
- Guharura ivyo TOYOTA yatumye Reta itakaza hanyuma ibirihe.

Ishirahamwe Toyota Burundi ku ruhande rwaryo, ryashikirije iciyumviro c'uko ico kibazo cotorerwa inyishu mu mwumvikano.

Ubushikiranganji bwaciye bushiraho umugwi w'abahinga nawo ukaba warikoze ku bindi bisata vya Reta kugirango batererane ivyiyumviro.
Uwo mugwi waharuye ko Reta yorihwa ibi bikurikira:

- ❖ Agaciro k'inyubako zabomowe ;
- ❖ Amahera ico kibuga cari kwinjiza ;
- ❖ Agahombo ku matagisi n'amakori ;
- ❖ Indishi y'akababaro**;**
- ❖ Amazi yakoreshejwe.

Uru rwandiko rusaba inama nshikiranganji ibi bikurikira:

- Kwemeza ingingo yo gufuta amasezerano y'ubugizi yafuswe kw'igenekerezo rya 24 Rusama 2022 ;
- Kwemeza ingingo y'ifutwa ry'urupapuro ndangatongo rwanditswe kw'ishirahamwe Blue Tanganyika yafashwe kw'igenekerezo rya 24 Rusama 2022 ;
- Kurihisha toyota Burundi amahera ico kibuga cari kwinjiza, amatagisi n'amakori yari kwinjira n'indishi y'akababaro ;
- Kugira ico Reta ivuze ku ciyumviro cashikirijwe n'Ishirahamwe Toyota Burundi c'ingene ico kibazo cotorerwa inyishu mu mwumvikano.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, **yashikirije** ibi bikurikira:

- Amasezerano y'ubuguzi yarafuswe co kimwe n'urupapuro ndangatongo, ubu iryo tongo rikaba ryasubiye mu minwe ya Reta;
- Gutorera umuti ico kibazo biciye mu mwumvikano ntibigikunda kuko igihe cavyo caraheze;
- Biraboneka kwo ishirahamwe TOYOTA Burundi ryari rifise umugambi wo kwonona gusa kuko ico ryakoze co nyene kwabaye ukubomora ivyari bihari ribijana kubikoresha ahandi ;
- Gusubiramwo guharura agaciro k'ivyabomowe canke gutegeka TOYOTA Burundi gusubiza inyubako uko yari imeze imbere yo kuyigura ;
- Gutegeka TOYOTA Burundi kuriha ivyo Reta yatakaje be n'indishi y'akababaro.

4. **Urwandiko rujanye n'ishirwa mu ngiro ry'itegeko n°100/193 ryo ku wa 01 Nyakanga 2023 ryerekana ingene amapete yari yarahagaritswe yobohorwa mu bisata vya Reta bigengwa n'amategeko vyiharije,** rwashikirjwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere.

Mu mwaka w'2012, Reta y'Uburundi yaremeje umugambi ujanye no gutunganya bushasha ubuzi bwa Reta.
Mw'ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi, Reta yaremeje itunganywa rishasha ry'imishahara mu ntumbero yo gukura ubusumbasumbane bw'iyo mishahara mu buzi bwa Reta.

Iryo tunganywa rishasha ry'imishahara ryatanguriye mu bakozi ba Reta.

Kugirango bishoboke, habanje guhagarikwa ivyo kwongera amahera ku mwaka ku mwaka bivanye n'amanota umukozi wa Reta yaronse kuva mu mwaka w'2016 ku bakozi ba Reta n'abo mu bisata vyegamiye Reta.

Inyuma y'izo ntambwe zose, ishirwa mu ngiro ry'iyo ntunganyo nshasha y'imishahara ryatanguriwe no kubohora iduzwa ry'amapete mu kazi. Ubu iryo tunganywa rishasha ry'imishahara ririko rirakurikizwa ku bakozi bagengwa n'ibwirizwa rigenga abakozi ba Reta.

Ku bijanye n'ibisata bigengwa n'amategeko vyiharije, ukuduzwa amahera ku mwaka ku mwaka bivanye n'amanota baronse no kuronswa ubundi burusho vyari vyahagaritswe, haragiyeho itegeko n°100/193 ryo ku wa 01 Nyakanga 2023 rishinga ingene iryo bohorwa ryo kuduzwa amapete ryogenda.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro iryo tegeko, ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta bwasavye ubushikiranganji bwose kurungika ibiharuro vyerekana uburyo iryo bohorwa ry'amapete ryotwara, kugirango ayo mahera aheze atangwe.

Hihwejwe ibiharuro vyatanzwe, basanze harimwo amakosa menshi cane, ndetse n'ico umuntu yokwita ubusuma hamwe hamwe.

Vyarabonetse ko hamwe hamwe baciye bikinga mu kiza bidugiriza imishahara, haba ku barongoye ivyo bisata canke ku bakozi bavyo.

Ikindi naco n'uko umugwi uriko ukora ico gikorwa wabonye ko hari abaje ngo babohorerwe ayo mapete kandi atigeze ahagarikwa kuva mu mwaka w'2015, bikerekana ko bashaka gukoresha ubusuma mu kwiha utundi turusho.

Uturorero:
**Muri Kaminuza y'Uburundi,** biraboneka ko abakozi babandanije baduga amapete n'imishahara, hanyuma barongerwa ibice mirongo itatu na bitanu kw'ijana (35%) ku mushahara

w’ifatiro ku mvo zidasiguritse. No ku rutonde rw’abahembwa, harimwo abakukurutse imbere y’umwaka w’2023, kandi iryo bohorwa ry’amapete riraba abakiri ku kazi gusa.

**Mu kigo kijejwe ubutare na kariyeri (OBM)**, hari abakozi bamwe bamwe bahawe uburambe mu kazi badafise. Hari nk’uwahaje mu mwaka w’2023, ariko ku biharuro bakoze banditse ko yatanguye mu mwaka w’2015 kandi atari bwahaze.

**Mu Kigo c’igihugu kijejwe ibigega vy’integabizoza (ANAGESSA**), abakozi bose bungurujwe hisunzwe ibiharuro vy’ibice indwi kw’ijana (7%), mu gihe ivyo bice 7% bironswa umukozi ashimisha ku rugero rudasanzwe mu kurangura akazi, uwashimije neza akaronka 6%, uwashimije bisanzwe nawe akaronka 4%.  Bisigura ko mu gihe c’ihagarikwa ry’ukwongera amahera bivuye ku manota umukozi yaronse bose bagumye baronka ya manota ahabwa umukozi adasanzwe « ELITE ». Ivyo navyo bikaba bidasiguritse na gato.

Kugirango rero ayo makosa akosorwe, uwo murwi uriko urakorana n’ibisata vyose, wereka kimwe kimwe cose ahakosorwa kugirango haboneke ibiharuro vy’ukuri.

Vyogorana rero ingene umushahara utondeste hisunzwe ubwo buryo bushasha bwo kuwuharura woboneka muri uku kwewi kwa Gitugutu 2023.

Twomenyesha kandi ko intunganyo y’ivyo bisata bifise amategeko vyiharije abigenga zerekana ubutandukane bw’ingene baduga mu kazi bivanye n’amapete. Kubohora ukuduga mu kazi hisunzwe ayo mapete atandukanye, vyotuma haba ubutandukane bunini ku bakozi, bikaba vyoba biciye kubiri n’intumbero yo kugambanya ubusumbasumbane bw’imishahara muri ivyo bisata.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, **yashikirije** ibi bikurikira:

- Uguteba kw’iryo bohorwa ry’amapete n’ivyo bijana vyatumwe n’ibisata vyo nyene ubwavyo, kuko vyatanze ibiharuro bitari vyo. Ni ukurindira rero bigaheza gukosorwa;
- Reta yihaye intumbero yo gukura ubusumbasumbane mu mishahara mu gushiraho uburyo bushasha bwo kuyiharura, hisunzwe ibi bikurikira : Urupapuro rw’umutsindo-  Akazi umuntu akora- Umwimbu yashitseko. Ibisata bifise amategeko abigenga vyiharije bitegerezwa kwisunga ivyo;
- Abantu bose baronkejwe amafaranga, nk’arya aduza umuntu ku mwaka ku mwaka, ku ngingo y’urwego nshingwantwaro kandi amabwirizwa ashinga amahera Reta ikoresha yarabibuza, bategerezwa kuyasubiza ni vyaba ngombwa kuko ingingo y’urwego nshingwantwaro ntishobora kurengera ibwirizwa;
- Abarongoye ibisata, bagize uruhara mu busuma bwagiye buraba mu bisata bajejwe bazofatirwa ibihano;

- Kubera ivyo itegeko ryo ku wa 01 Nyakanga 2023 rishinga ku bijanye n'ingene abantu baduga ipete ku mwaka ku mwaka, kubera kandi ubudasa bwibonekeza mu mapete, uturusho two kwiyunguruza, utw'uburaro n'utundi dutangwa mu bisata bitandukanye, hagiye kujaho vyihutirwa itegeko ringanisha utwo turusho;
- Birakenewe ko hasubira gutomorwa neza abakozi ba Reta bagengwa n'amategeko biharije;
- Umushikiranganji ajejwe ubutungane yotegura urwandiko rwerekana aho isubirwamwo ry'amabwirizwa agenga ibisata Reta iha ububasha bwo kwitunganya vyonyene (administrations personnalisées de l'Etat et établissements publics) rigeze.

## 5. Utuntu n'utuundi

- Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta yaramenyesheje aho igikorwa co gutegura isubirwamwo ry'amahera Reta ikoresha rigeze, aca yibutsa ko ari igikorwa co gusubiramwo ibiharuro bivanye n'ingene ayinjiye canke ayakoreshejwe yagabanutse canke yiyongereye. Si umwanya wo gusabira uburyo ibikorwa bishasha bitari vyategekanijwe mu ntango y'ikoreshwa ry'amahera ya Reta.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje abashikiranganji ko hibonekeza muri iki gihe ibikorwa bishobora kujuragiza abenegihugu. Iyo ngendo yama iboneka iyo himirije amatora. Ivyo ni ukwama babizi bakahagabira, bakabibeshuza babicishije mu bikorwa barangura. Yasavye abashikiranganji kubirwanya, aca asaba abenegihugu kudasamara, ahubwo babandanye bijukira ibikorwa vy'iterambere.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yasavye umushikiranganji ajejwe inyubako gutegura icegeranyo c'amatongo yasubiye mu minwe ya Reta kuko atakoreshejwe ico yatangiwe, hanyuma agishikirize inama nshikiranganji nayo itange intumbero y'ico yokoreshwa. Hamwe hoba hari uwaryatswe rikaba ryaramaze guhabwa uwundi muntu , yoheza akabimenyesha.

.

Bigiriwe à Bujumbura, igenekerezo rya 19 Gitugutu 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvuguzi

Prosper NTAHORWAMIYE